# PROJET DE LOI PORTANT STATUT DES OFFICIERS DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI

## EXPOSE DES MOTIFS

### I. CONTEXTE ET JUSTIFICATION

1. Le Burundi, comme les autres Nations souveraines, est responsable de l'ordre et de la sécurité sur son territoire. Cette prérogative est une émanation de la loi fondamentale en vigueur au Burundi en son article 14 énoncé en ces termes :

« Tous les Burundais ont le droit de vivre dans la paix et dans la sécurité. Ils doivent vivre ensemble dans l'harmonie, tout en respectant la dignité humaine et en tolérant leurs différences ».

2. En son article 254, la nouvelle Constitution de la République du Burundi prévoit des lois organiques déterminant les missions, l'organisation, l'instruction, les conditions de service et le fonctionnement de la Force de Défense Nationale et de la Police Nationale.

3. La Police Nationale du Burundi est régie par la loi organique n° 1/03 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi.

4. L'article 313 de cette loi prévoit un certain nombre de textes d'application notamment les Statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi.

# INTEGURO Y'IBWIRIZWA RISHINGA AMATEGEKO AGENGA INTWAZANGABO Z'IGIPORISI C'UBURUNDI

## INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA

### I. IBITUMYE IRI BWIRIZWA RITEGURWA

1. Uburundi, nk'ibindi bihugu vyishira bikizana, ni bwo bubazwa umutekano w'abantu bose bo ku gataka kabwo kwose. Ubwo bubasha butangwa n'Ibwirizwa Shingiro rikurikizwa mu Burundi mu ngingo yaryo ya 14 ivuga iti :

« Abarundi bose barafise uburenganzira bwo kubaho mu mahoro no mu mutekano. Bategerezwa kubana ata nkomanzi, bakubahiriza agateka ka zina muntu bakongera bakihanganirana mu budasa bwabo ».

2. Mu ngingo yaryo ya 254, Ibwirizwa Shingiro rishasha rya Repuburika y'Uburundi riritegekanya amabwirizwa aryunganira atomora imirimo y'Urwego rw'ukwivuna abansi n'iy'Urwego rw'Igiporisi c'Uburundi, ingene izo nzego zitunganijwe, inyigisho zitangwa, ibisabwa mu kuja muri izo nzego n'ingene zikora.

3. Igiporisi c'Uburundi kigengwa n'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'Igiporisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora ;

4. Ingingo ya 313 y'iryo bwirizwa iritegekanya amategeko arishira mu ngiro nk'ayagenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi.

5. L'élaboration de la présente loi s'inspire largement de la loi n° 1/18 du 31 décembre 2010 portant Statut des Officiers de la Police Nationale du Burundi en y apportant certaines innovations pouvant permettre à l'Officier de travailler dans un environnement socio-économique, sécuritaire et politique du moment.

5. Iri bwirizwa riteguwe hisunzwe ahanini Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Intwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi hashizwemwo ibintu bishasha bimwebimwe bituma Umuporisi w'Intwazangabo ashobora gukorera mu bijanye n'iki gihe vyerekeye imibano n'ubutunzi, umutekano na poritike.

## II. STRUCTURE DU PROJET DE LOI

## II. INGENE IYI NTEGURO Y'IBWIRIZWA IRINGANIJWE

Le nouveau projet de loi est structuré en chapitres et sections. Il comprend dix chapitres à savoir :

Iyi nteguro y'Ibwirizwa iringanijwe mu bice n'uduce. Igizwe n'ibice 10 ari vyo vy'ibi :

### CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES (ARTICLES 1 à 6)

Ce chapitre reprend les conditions générales de recrutement, les droits et les devoirs, le régime des incompatibilités, la carrière, le régime des traitements, les primes, les indemnités, les récompenses, les bonifications de stage et de formation ainsi que le régime disciplinaire des Officiers de la Police Nationale du Burundi. Il apporte des innovations pour les récompenses et les bonifications de stage et de formation par rapport au statut en vigueur.

Il assure à l'Officier les garanties répondant aux obligations particulières imposées par le métier de Police. Il comprend des compensations aux contraintes et exigences de la vie de l'Officier de la Police Nationale, y compris la limitation de l'exercice de certaines libertés individuelles.

Il fait participer davantage l'Officier de la Police Nationale du Burundi à la lutte contre la criminalité en lui dotant la qualité d'officier de police judiciaire à compétence générale, restreinte ou limitée selon les cas.

### IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO (INGINGO ZIVA KU YA 1 GUSHIKA KU YA 6)

Ico gice kiratomora ibisabwa muri rusangi kugira umuntu yinjizwe mu Ntwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi, ivyo abaporisi b'Intwazangabo bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga bajejwe, ivyerekeye umwuga wabo, imishahara, udushirukabute, uturusho, ubushimwe, uturusho duhabwa uwakarihirijwe ubwenge n'uduhabwa uwaronse inyigisho hamwe n'amategeko ajanye n'inyifato mu kazi. Ico gice kizanye ibishasha mu vyerekeye ubushimwe n'uturusho duhabwa uwakarihirijwe ubwenge n'uduhabwa uwaronse inyigisho ugereranije n'amategeko asanzwe agenga Abaporisi b'Intwazangabo.

Ico gice giha Abaporisi b'Intwazangabo uturusho tubatera intege mw'irangurwa ry'ivyo bategerejwe bidasanzwe bijanye n'umwuga w'Igiporisi. Kirategekanya uturusho ku ngorane abaporisi b'Intwazangabo mu Giporisi c'Uburundi bagira hamwe n'ivyo ubuzima bwabo busaba, harimwo ibibuza ukwishira n'ukwizana kw'umwumwe wese muri bimwebimwe.

Gitegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kugira uruhara rusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha ububasha bw'Inyamiramabi kuri vyose, ku co yarungitswe gukora gusa canke kuri bimwebimwe bivanye n'icaha cakozwe.

## CHAPITRE II : DES CONDITIONS DE RECRUTEMENT ET DU STAGE PROBATOIRE (ARTICLES 7 à 22)

## IGICE CA II : IBISABWA MU KWINJIZWA MU BITEGURIRA KUBA INTWAZANGABO Z'IGIPORISI N'IVYEREKEYE UKWIMENYEREZA AKAZI (INGINGO ZIVA KU YA 7 GUSHIKA KU YA 22)

Ce chapitre énumère les conditions de recrutement des candidats Officiers de la Police Nationale du Burundi, en apportant deux innovations l'une relative au célibat qui s'étend jusqu'à la fin du stage probatoire et l'autre, celle de ne pas avoir une double nationalité.

Ico gice kiradondagura ibisabwa mu kwinjizwa mu bitegurira kuba Intwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi, kikongera kikerekana ibishasha bibiri, kimwe cerekeye ko uwitegurira kuba Umuporisi w'Intwazangabo aba atarubaka gushika arangije ikiringo c'ukwimenyereza akazi, ikindi na co ni uko ataba afise ubwenegihugu bubiri.

L'article 9 de ce chapitre donne la prérogative au candidat Officier de suivre une formation académique et professionnelle appropriée aux missions de la Police Nationale du Burundi à l'Institut Supérieur de Police ou dans d'autres institutions universitaires se trouvant au pays ou à l'étranger, reconnues par le Ministère ayant l'enseignement supérieur dans ses attributions.

Ingingo ya 9 y'ico gice irategekanya ko uwitegurira kuba Intwazangabo y'Igiporisi aronswa inyigisho za Kaminuza n'izerekeye umwuga zihuye n'imirimo y'Igiporisi zitangirwa mw'Ishure Kaminuza ry'Intwazangabo z'Igiporisi canke mu yandi mashure ya Kaminuza ari mu gihugu canke mu mahanga yemewe n'Ubushikiranganji bujejwe inyigisho za Kaminuza.

Il met aussi en exergue la typologie de formations reconnues au Ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Irashira kandi ahagaragara ubwoko bw'inyigisho zemewe n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

En cas d'échec de stage probatoire du candidat Officier, l'article 19 donne la possibilité au candidat Officier de reprendre le stage une seule fois.

Mu gihe uwitegurira kuba umuporisi w'Intwazangabo ataronse amanota ashimishije mu nyigisho z'ukwimenyereza akazi, ingingo ya 19 iramuha akaryo ko gusubiramwo izo nyigisho rimwe gusa.

Dans ce même chapitre, les termes du serment sont clairement définis à l'article 22, alors que le statut en vigueur est muet à ce titre.

Muri ico gice nyene, amajambo y'indahiro aratomowe neza mu ngingo ya 22, mu gihe amategeko asanzwe agenga Intwazangabo ata co avuga kuri iyo ndahiro.

## CHAPITRE III : DES DROITS, DES DEVOIRS ET DES INCOMPATIBILITES (ARTICLES 23 à 42)

## IGICE CA III : IVYO UMUPORISI W'INTWAZANGABO AFITIYE UBURENGANZIRA, IVYO ATEGEREJWE N'IVYO ATABANGIKANYA N'AMABANGA AJEJWE (INGINGO ZIVA KU YA 23 GUSHIKA KU YA 42)

Ce chapitre énumère les droits, des devoirs et des incompatibilités du service de l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Iki gice kidondagura ivyo Umuporisi w'Intwazangabo afitiye uburenganzira, ivyo ategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga ajejwe.

Au niveau de ses droits, l'Officier de la Police Nationale du Burundi bénéficie d'un congé annuel de trente jours ouvrables par an et d'un jour supplémentaire par tranche de cinq ans, alors que le statut en vigueur accorde 30 jours (article 24).

Ku vyerekeye ivyo afitiye uburenganzira, umuporisi w'Intwazangabo araronswa akaruhuko ko ku mwaka ku mwaka k'imisi mirongo itatu y'akazi n'umusi umwe uja uriyongerako uko imyaka itanu irangiye, mu gihe amategeko amugenga asanzwe akurikizwa amuha imisi 30 y'akaruhuko (ingingo ya 24).

L'article 29 prévoit que l'Officier de la catégorie des Généraux en activité ou à la retraite et son conjoint bénéficient d'un passeport diplomatique. Lors des missions officielles, l'Officier de cette catégorie en activité ou à la retraite effectue des voyages en première classe.

Ingingo ya 29 itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo wo ku rugero rwa Jenerari akiri mu kazi canke yakukurutse n'uwo bubakanye baronswa igitabu c'inzira c'icubahiro. Mu gihe c'ingendo z'akazi, umuporisi w'Intwazangabo wo kuri urwo rugero akiri mu kazi canke yakukurutse agendera mu kibanza c'icubahiro.

Le chapitre reprend les avantages sociaux de l'Officier en activité ou à la retraite, à ses ayants droits ou assimilés relatifs aux subventions en eau et électricité, aux soins médicaux et produits pharmaceutiques.

Ico gice kirerekana uturusho tujanye n'ivy'imibano duhabwa umuporisi w'Intwazangabo akiri mu kazi canke yakukurutse, abafise uburenganzira ku matungo yiwe canke abafatwa nka bo twerekeye imfashanyo itangwa na Reta y'amazi n'amatara, ukuvuzwa n'uguhabwa imiti.

Les enfants mineurs et assimilés de la veuve ou du veuf qui se remarie gardent les avantages susvisés.

Abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo b'umupfakazi canke umupfakare yubakanye n'uwundi muntu bagumana uturusho twavuzwe.

De plus, l'Officier qui part à la retraite a droit d'importer un seul véhicule à usage d'affaires et promenade exonéré des droits et taxes (Article 35).

Vyongeye, umuporisi w'Intwazangabo akukurutse arafise uburenganzira bwo kwinjiza mu gihugu umuduga umwe gusa w'ugukoresha utuntu twiwe n'ugutemberamwo atarishe amafaranga ya duwane n'amatagisi (ingingo ya 35).

L'article 37 de ce chapitre prévoit une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut qui est accordée mensuellement pendant deux ans à tout Officier de la Police Nationale ayant atteint l'âge limite de la retraite.

Ingingo ya 37 y'ico gice itegekanya amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara umuporisi w'Intwazangabo yakwije imyaka y'ugukukuruka yari agezeko atakirakurwako aja arahabwa ku kwezi ku kwezi mu kiringo c'imyaka ibiri.

L'officier bénéficie aussi des distinctions honorifiques et d'une assistance judiciaire dans l'exercice de ses missions.

Umuporisi w'Intwazangabo araronswa kandi ibidari vy'iteka n'abamufasha muri sentare akiriko ararangura imirimo ashinzwe.

Au niveau des devoirs et incompatibilités, ce chapitre reprend le prescrit du statut en vigueur tout en insistant sur l'interdiction de l'Officier de la Police Nationale du Burundi de s'immiscer dans les affaires politiques.

Ku vyerekeye ivyo umuporisi w'Intwazangabo ategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga ajejwe, ico gice kirimwo ibitegekanijwe mu mategeko asanzwe akurikizwa kikongera kigashimangira ko umuporisi w'Intwazangabo abujijwe kwisuka mu bijanye na poritike.

| | |
|---|---|
| **CHAPITRE IV : DE LA NOTATION (ARTICLE 43 à 47)** | **IGICE CA IV : IVYEREKEYE UGUHABWA AMANOTA MU KAZI (INGINGO ZIVA KU YA 44 GUSHIKA KU YA 47)** |
| Ce chapitre fixe la période, l'appréciation synthétique du mérite et le recours en cas de contestation de la notation de l'Officier de la Police Nationale du Burundi. | Ico gice kivuga ibiringo amanota yerekana ingene umuporisi w'Intwazangabo yakoze muri rusangi atangirwako, ingene atangwa n'ingene ashobora kwitwara igihe atashimishijwe n'amanota yahawe. |
| **CHAPITRE V : DES GRADES ET DE L'AVANCEMENT (ARTICLE 48 à 60)** | **IGICE CA V. IVYEREKEYE AMAPETE N'UKUDUZWA AMAPETE (INGINGO ZIVA KU YA 49 GUSHIKA KU YA 60)** |
| L'article 48 parle de la nomenclature des grades des Officiers de la Police Nationale. | Ingingo ya 48 ivuga amapete ahabwa abaporisi b'Intwazangabo ayo ari yo. |
| L'article 49 du même chapitre énumère par ordre croissant les grades de nomination de l'Officier de la Police Nationale du Burundi. | Ingingo ya 49 y'ico gice nyene idondagura amapete umuporisi w'Intwazangabo aja arahabwa, uhereye kuri ritoyi. |
| L'article 50 de ce chapitre distingue trois catégories d'Officiers de la Police Nationale du Burundi: Officiers subalternes, Officiers supérieurs et Officiers Généraux. | Ingingo ya 50 y'ico gice yerekana imigwi itatu y'abaporisi b'Intwazangabo: abaporisi b'Intwazangabo basanzwe, abaporisi b'Intwazangabo bakuru n'abaporisi b'Intwazangabo b'Abajenerari. |
| La section 2 du présent chapitre revient sur la période de nomination, les critères d'avancement et de commissionnement des Officiers de la Police Nationale du Burundi. | Agace ka 2 k'iki gice kagaruka ku vy'ikiringo c'uguhabwa ipete n'ibifatirwako mu kuduza no gusimbisha ipete abaporisi b'Intwazangabo. |
| L'avancement du grade de Lieutenant de Police au grade de Capitaine de Police est passé de 4 ans à 5 ans, en vue de rester en harmonie avec l'avancement d'autres grades prévus dans le présent statut. | Ukuduza umuporisi w'Intwazangabo kw'ipete rya kapiteni w'Igiporisi avuye kw'ipete rya Riyetena w'Igiporisi bikuwe ku myaka ine bishirwa ku myaka itanu, mu ntumbero yo kuroranisha ico kiringo n'ibindi biringo vy'ukuduzwa ku yandi mapete ategekanijwe n'aya mategeko. |
| **CHAPITRES VI : DU TRAITEMENT, DES PRIMES, DES INDEMNITES ET DES AVANTAGES SOCIAUX (ARTICLE 61 à 69)** | **IGICE CA VI: IVYEREKEYE UMUSHAHARA, UDUSHIRUKABUTE, UTURUSHO TUJANYE N'IVY'AKAZI N'UTUJANYE N'IVY'IMIBANO (INGINGO ZIVA KU YA 61 GUSHIKA KU YA 69)** |
| Dans ce chapitre, l'article 62 définit les composantes du salaire de l'Officier de la Police Nationale du Burundi comprenant des primes, indemnités et avantages sociaux. | Muri ico gice, ingingo ya 62 itomora ibigize umushahara w'umuporisi w'Intwazangabo harimwo udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano. |

Les indemnités sont classées en deux catégories à savoir : les indemnités liées aux risques encourus dans l'exercice de ses missions et celles liées aux contraintes de son métier.

Uturusho tujanye n'ivy'akazi turi mu migwi ibiri ari yo: uturusho tujanye n'impanuka ashobora kugira ariko ararangura imirimo ashinzwe n'utujanye n'ingorane zo mu mwuga wiwe.

Les primes, les indemnités et les avantages sociaux repris dans le statut sont définis dans le tableau en annexe (Annexe I).

Udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano tuvugwa mu mategeko agenga Intwazangabo dutomorwa mu cubake kiri mu mperekeza (imperekeza ya I).

**CHAPITRE VII : DE LA CARRIERE (ARTICLES 70 à 83)**

**IGICE CA VII : IVYEREKEYE UMWUGA W'UMUPORISI W'INTWAZANGABO (INGINGO ZIVA KU YA 70 GUSHIKA KU YA 83)**

Ce chapitre précise que la carrière de l'Officier de la Police Nationale du Burundi commence le jour de son recrutement (article 70).

Ico gice gitomora ko umwuga w'umuporisi w'Intwazangabo utangura umusi yinjiriyeko mu kazi (ingingo ya 70).

Le Candidat Officier en stage probatoire reste soumis aux textes réglementaires régissant l'Institut Supérieur de Police.

Uwitegurira kuba Intwazangabo mu Giporisi ariko arimenyereza akazi agengwa n'amategeko agenga ishure kaminuza y'Igiporisi.

Le chapitre spécifie que l'Officier de la Police Nationale du Burundi doit être dans une position soit d'activité, de congé, de détachement ou de non activité de service.

Ico gice kiratomora ko Umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kuba ari hamwe muri aha hakurikira : mu kazi, mu karuhuko, mu yandi mabanga atari ay'Igiporisi canke akaba atakiri mu kazi.

Cette dernière position comprend la suspension par mesure d'ordre, l'absence reconnue irrégulière, la mise en disponibilité disciplinaire, la mise en disponibilité pour convenance personnelle, la démission acceptée et la condamnation à une peine privative de liberté.

Intwazangabo mu Giporisi ifatwa ko itakiri mu kazi iyo yahagaritswe mu kazi ubutarariye, atari ku kazi atabirekuriwe, yahagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi, yahagaritse akazi avyisabiye, atanze imihoho avyemerewe hamwe n'iyo yaciriwe igihano c'ugupfungwa.

**CHAPITRE VIII : DU REGIME DISCIPLINAIRE (ARTICLES 84 à 120)**

**IGICE CA VIII: IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA INYIFATO MU KAZI (INGINGO ZIVA KU YA 85 GUSHIKA KU YA 120)**

Dans ce chapitre, la section 1(articles 85 à 104) définit le régime disciplinaire et énumère les fautes ainsi que les sanctions disciplinaires applicables à l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Muri ico gice, agace ka 1 (ingingo ziva ku ya 86 gushika ku ya 104) gatomora amategeko agenga inyifato mu kazi y'abaporisi b'Intwazangabo, kakongera kakadondagura amakosa hamwe n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bahabwa.

La section 2 du même chapitre détermine la procédure suivie dans l'application des sanctions disciplinaires (articles 104 à 111).

Agace ka 2 k'ico gice nyene karatomora ingene ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bitangwa (ingingo ziva ku ya 104 gushika ku ya 111).

Le droit de recours est reconnu à l 'Officier de la Police Nationale du Burundi suivant les modalités décrites aux articles 108 et 109.

Umuporisi w'Intwazangabo arafise uburenganzira bw'ugusaba ko ingingo yafatiwe ihindurwa yisunze ibikurikizwa bivugwa mu ngingo ya 108 n'iya 109.

La même section stipule que les Officiers de la Police Nationale du Burundi en activité ou à la retraite sont justiciables devant les juridictions ordinaires et bénéficient d'un privilège de juridiction selon la catégorie.

Ako gace nyene kavuga ko abaporisi b'Intwazangabo bakiri mu kazi, canke bakukurutse bitwarirwa muri sentare zisanzwe kandi ko, bivanye n'umugwi barimwo, batitwarirwa muri sentare iyo ari yo yose.

La section 3 (articles 113 et 114) institue un Conseil d'Enquête, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline des Officiers de la Police Nationale.

Agace ka 3 (ingingo ziva ku ya 113 n'iya 114) gashiraho Umugwi ujejwe amatohoza, mu ntumbero yo gukinga akarenganyo no kurwanya inyifato mbi mu baporisi b'Intwazangabo.

Dans le même chapitre, la section 4 (articles 115 à 120) définit les récompenses et distingue ses composantes qui sont les gratifications pécuniaires et les distinctions honorifiques.

Muri ico gice nyene, agace ka 4 (ingingo ziva ku ya 115 gushika ku ya 120) gatomora udushishimwe duhabwa abaporisi b'Intwazangabo kakongera kagatomora ibitugize ni ukuvuga amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka.

## CHAPITRE IX : DE LA FIN DE CARRIERE ET DE LA SECURITE SOCIALE (ARTICLES 121 à 131)

## IGICE CA IX : IVYEREKEYE UKURANGIZA AKAZI N'UGUTEGEKANIRIZWA KAZOZA (INGINGO ZIVA KU YA 121 GUSHIKA KU YA 131)

La première section précise les différents cas de cessation de service, y compris la limite d'âge statutaire selon la catégorie de l'Officier de la Police Nationale du Burundi (articles 121 à 127).

Agace ka mbere gatomora uburyo butandukanye bw'uguhagarika akazi, harimwo n'ukugahagarika imyaka y'ugukukuruka itegekanijwe n'amategeko igeze bivanye n'umugwi Umuporisi w'Intwazangabo arimwo (ingingo ziva ku ya 122 gushika ku ya 127).

Dans la deuxième section (articles 128 à 131), on parle de l'affiliation de l'Officier aux institutions de sécurité sociale, notamment l'Institut National de Sécurité Sociale et la Mutuelle de la Fonction Publique. Elle ouvre la possibilité à l'Officier de la Police Nationale du Burundi d'adhérer à d'autres institutions de Sécurité Sociale.

Mu gace ka kabiri (ingingo ziva ku ya 128 gushika ku ya 131), havugwamwo ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza umuporisi w'Intwazangabo mu mashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi, nk'Ishirahamwe rijejwe gutegekaniriza kazoza abakozi (INSS) no mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta. Muri ako gace, harategekanijwe ko umuporisi w'Intwazangabo afise uburenganzira bwo kwinjira mu yandi mashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi.

Elle précise aussi que l'Officier de la Police Nationale du Burundi est classé parmi les assurés travaillant dans des conditions dures

Karatomora kandi ko umuporisi w'Intwazangabo ashirwa mu mugwi w'abanywanyi bakora akazi kagoye kandi gashobora gutera impanuka nyinshi hisunzwe

et pénibles comportant beaucoup de risques, suivant les dispositions du Code de Sécurité Sociale (article 128).

ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi (ingingo ya 128).

CHAPITRE X : DES DISPOSITIONS FINALES (ARTICLES 132 à 135)

IGICE CA X : INGINGO ZISOZERA (INGINGO ZIVA KU YA 132 GUSHIKA KU YA 135)

L'article 132 dispose qu'à la promulgation de la présente loi, les grades des Officiers seront harmonisés conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 49.

Ingingo ya 132 itegekanya ko iri bwirizwa rimaze gutangazwa, amapete y'abaporisi b'Intwazangabo azoca aroranishwa hisunzwe uko amapete ategekanijwe mu ngingo ya 49.

L'article 133 parle des Aumôniers, une catégorie particulière de personnel de la Police Nationale qui ne fait pas carrière à la Police nationale et qui est assimilée aux Officiers. Du fait qu'ils portent l'uniforme de la Police nationale, les Aumôniers sont astreints au même régime disciplinaire, aux mêmes devoirs, interdictions et incompatibilités que les Officiers. Ils bénéficient des même droits et avantages sociaux et sont soumis au même régime de notation.

Ingingo ya 133 ivuga ivyerekeye Abibutsamana, na wo ukaba ari umugwi udasanzwe w'abakozi b'Igiporisi c'Uburundi batari mu mwuga w'Igiporisi ariko bafatwa nk'Intwazangabo. Kubera ko Abibutsamana bambara umwambaro w'Igiporisi c'Uburundi, bategerezwa kwubahiriza amategeko agenga inyifato y'abaporisi b'Intwazangabo, ivyo bategerejwe, ivyo babujijwe n'ivyo batabangikanya n'amabanga bashinzwe na vyo bikaba ari bimwe nk'ivyo intwazangabo. Bararonswa n'uburenganzira bumwe hamwe n'uturusho tumwe mu vy'imibano kandi bahabwa amanota y'akazi co kimwe n'Abaporisi b'Intwazangabo.

III. LES PRINCIPALES INNOVATIONS

III. IBISHASHA BIKURUBIKURU

1. **Dans son chapitre premier,** le projet de loi fait participer davantage tout officier de la Police Nationale à la lutte contre la criminalité en lui permettant désormais d'agir spontanément devant des situations infractionnelles (art 6) en qualité d'Officier de Police Judiciaire à compétence générale, restreinte ou limitée.

1. Mu gice cayo ca mbere, iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kugira uruhara rusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha uburenganzira bw'ukugira ico akoze ubwo nyene ivyaha bigikorwa (ingingo ya 6), akabikora nk'inyamiramabi ifise ububasha muri vyose canke agakora ico yarungitswe gukora gusa canke bimwebimwe bivanye n'icaha cakozwe.

2. **Le chapitre II, section I** relative aux conditions de recrutement explicite la notion de célibat et précise que le candidat Officier doit rester célibataire jusqu'à la fin des trois premières années de carrière (art 7).

   La même section introduit la typologie de formations reconnues à la Police Nationale du Burundi (art 9-14).

2. **Mu gice ca II, agace ka 1** kerekeye ibisabwa mu kwinjiza mu Giporisi c'Uburundi uwitegurira kuba Intwazangabo kirasigura ibijanye n'ukwubaka kikongera kigatomora ko ategerezwa kuguma atubatse gushika ahejeje imyaka itatu ya mbere y'akazi (ingingo ya 7).

   Ako gace nyene karavuga inyigisho zemewe n'Igiporisi c'Uburundi izo ari zo (ingingo ziva ku ya 9 gushika ku ya 14) ;

Le stage probatoire fait partie intégrante de la durée de la formation (art 18). De plus, les dispositions du même chapitre prévoient une période de douze mois supplémentaire en cas d'échec.

L'article 21 institue la prestation du serment de l'Officier de la Police Nationale devant le Président de la République du Burundi. Les termes du serment libellés en Kirundi sont énoncés à l'article 22.

3. Le **chapitre III, section 1** relative aux droits, introduit les innovations suivantes :

- La durée du congé annuel de repos est passée de 25 jours ouvrables à 30 jours ouvrables, avec un jour supplémentaire de congé par tranche de cinq ans (art 24).
- Le congé d'expertise a également été rehaussé, passant de trois mois à six mois (art 26).
- Droit de l'Officier de la catégorie des Généraux de Police en activité ou à la retraite à un passeport diplomatique ainsi qu'au voyage en première classe lors des missions officielles (Art 29). Son conjoint et ses enfants mineurs bénéficient aussi d'un passeport diplomatique.
- L'obligation de l'Etat à compléter les cotisations à la MFP en faveur des ayants droit pour l'Officier décédé avant 15 ans de service, période requise pour la prise en charge par l'INSS (art 32).

Ikiringo c'ukwimenyereza akazi giharurwa mu kiringo inyigisho zimara (ingingo ya 18). Vyongeye, ingingo ziri muri ico gice nyene zirategekanya ikiringo c'amezi icumi n'abiri yiyongera mu gihe uwitegurira kuba Intwazangabo ataronse amanota ashimishije.

Ingingo ya 21 itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kurahira imbere y'Umukuru w'Igihugu. Amajambo akoreshwa mu kurahira ari mu kirundi tukayasanga mu ngingo ya 22.

3. **Igice ca III, agace ka 1** kerekeye uburenganzira, kazana ibishasha bikurikira :

- Ikiringo c'akaruhuko ko ku mwaka kivuye ku misi 25 y'akazi kija ku misi mirongo itatu y'akazi, hamwe n'umusi umwe uja uriyongerako uko imyaka itanu irangiye (ingingo ya 24) ;
- Akaruhuko k'ukurangura iyindi mirimo afisemwo ubuhinga na ko nyene karongerejwe, kakuwe ku mezi atatu gashirwa ku mezi atandatu (ingingo ya 26).
- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo wo ku rugero rwa Jenerari w'Igiporisi akiri mu kazi canke yakukurutse bw'ukuronswa igitabu c'inzira c'icubahiro hamwe n'ukugendera mu bibanza vy'icubahiro agiye mu ngendo z'akazi (ingingo ya 29). Uwo bubakanye n'abana biwe batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko na bo nyene bararonswa igitabu c'inzira c'icubahiro.
- Reta itegerejwe kubandanya itangira amafaranga y'intererano mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta abafise uburenganzira ku matungo y'umuporisi w'Intwazangabo apfuye atarakwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi, ikiringo gitegekanijwe n'amategeko iryo shirahamwe rishobora kubandanya rifasha abasigwa b'umunywanyi (article 32).

- droit aux allocations de décès de 12 mois de salaire brut (Art 33);

- Uburenganzira bw'ukuronswa amafaranga y'impozo ku babuze angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri atakivuyeko (ingingo ya 33).

- droit d'un Officier qui part à la retraite d'importer un véhicule à usage d'affaires et promenade exonéré des droits et taxes (Art 35).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo yakukurutse bwo kwinjiza mu gihugu umuduga umwe w'ugukoresha utuntu twiwe n'ugutemberamwo atarishe amafaranga ya duwane n'amatagisi (ingingo ya 35).

- droit à une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut, accordée mensuellement pendant dix-huit mois à tout Officier de la Police Nationale du Burundi ayant atteint l'âge limite de la retraite (Art 37).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo wese ashikanye imyaka y'ugukukuruka mu kazi bwo kuronswa ku kwezi ku kwezi amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara yari agezeko ata kivuyeko mu kiringo c'amezi icumi n'umunani (ingingo ya 37).

- droit à une assistance judiciaire à l'Officier de la Police Nationale pour faire valoir ses prétentions devant une instance nationale ou internationale (Art 38).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo bw'uguhabwa uwumufasha kuburana ku vyamushikiye ariko ararangura imirimo ashinzwe kugira uburenganzira bwiwe bwubahirizwe imbere ya sentare yo mu gihugu canke mpuzamakungu (ingingo ya 38).

4. **Au Chapitre V des grades et de l'avancement, on note les innovations suivantes :**

4. **Mu gice ca V cerekeye amapete n'ukuduzwa amapete, dusangamwo ibishasha bikurikira :**

➢ L'article 41 reprend les termes de l'article 311 de la loi organique qui interdit formellement tout policier à participer aux activités à caractère politique ou manifester une position partisane dans un parti politique.

➢ Ingingo ya 41 isubiramwo ibivugwa mu ngingo ya 311 y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ribuza umuporisi uwo ari we wese kuja mu bikorwa vya poritike canke kwerekana ko ahengamiye ku mugambwe kanaka.

➢ La nomenclature des grades (Art 48-50) est adaptée pour les motifs suivants :

➢ Urutonde rw'amapete (ingingo ziva ku ya 48-50) rwarahinyanyuwe ku mvo zikurikira :

- faciliter l'identification et la communication par la population, l'administration, les Corps de Défense et de Sécurité ainsi que les élus du peuple dans le cadre de la police de proximité ;

- lever la confusion entre le grade et la fonction de commissaire ;

- gutuma abenegihugu, abajejwe intwaro, abo mu nzego z'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano hamwe n'abatowe n'abenegihugu n'ukubatandukanya n'uguhanahana amakuru na bo mu bijanye n'igiporisi cegerejwe abenegihugu ;

- gutuma ipete n'umurimo w'ubukomiseri bitacitirizwa ;

| | |
|---|---|
| - porter des grades reconnus dans les missions de maintien de la paix et dans les appels d'offre internationaux. | - kwambara amapete azwi mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro no mu gihe habaye ihiganirwa ry'ubuzi ku rwego mpuzamakungu ; |
| Il n'y a pas d'impact budgétaire parce que les insignes distinctifs des grades actuels restent inchangés. | - Amafaranga akoreshwa ntazokwiyongera kubera ko ibimenyetso vy'amapete bisanzwe bikoreshwa bitahinduwe. |
| ➤ la période d'avancement de grade de lieutenant de police à capitaine de police passe de 4 à 5ans (Art 53) pour harmoniser la période d'avancement avec les autres grades ; | ➤ Ikiringo c'ukuduzwa ipete uva kuri Riyetena mu Giporisi uja kuri Kapiteni mu Giporisi kivuye ku myaka 4 kija ku myaka 5 (ingingo ya 53) kugira kiroranishwe n'ikiringo c'ukuduzwa ku yandi mapete. |
| 5. **Le chapitre VI** apporte en ses articles 61 à 69, des nouveautés relatives aux primes, aux indemnités et aux autres avantages sociaux de l'Officier de Police. | 5. **Igice ca VI** kivuga mu ngingo zaco ziva ku ya 61 gushika ku ya 69, ibishasha bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utundi tujanye n'ivy'imibano duhabwa abaporisi b'Intwazangabo. |
| 6. **Le chapitre VII** parle de la Carrière de l'Officier et amène les innovations suivantes : | 6. **Igice ca VII** cerekeye umwuga w'umuporisi w'Intwazangabo kikazana ibishasha bikurikira : |
| ➤ L'article 70 apporte 2 innovations libellées comme suit : | ➤ Ingingo ya 70 izana ibishasha 2 bikurikira : |
| - La qualité d'Officier de Police s'acquiert après la prestation de serment devant le Président de la République. | - Umuntu aba Intwazangabo y'igiporisi amaze gushikiriza indahiro imbere y'Umukuru w'Igihugu. |
| - Le Candidat Officier en stage probatoire reste soumis aux textes réglementaires régissant l'Institut Supérieur de Police. | - Uwitegurira kuba Intwazangabo ariko arimenyereza akazi aguma agengwa n'amategeko agenga Ishure kaminuza ry'Igiporisi ; |
| ➤ La conditionnalité d'au moins 7 ans de service pour obtenir une mise en disponibilité pour convenance personnelle (Art 76) ; | ➤ Umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kuba amaze gukora n'imiburiburi imyaka 7 kugira yemererwe kuba arahagaritse akazi avyisabiye (ingingo ya 76) ; |
| ➤ La notion de disparition et de captivité a été introduite (Art 78). | ➤ Ibijanye n'ukubura irengero ry'umuporisi w'Intwazangabo n'ibijanye n'ukugirwa imbohe (ingingo ya 78) ; |
| ➤ L'article 82 accorde la possibilité à l'Officier acquitté mais qui n'a pas été révoqué de la Police Nationale de réintégrer la PNB et d'être régularisé. | ➤ Ingingo ya 82 iha uburenganzira umuporisi w'Intwazangabo yambitswe izera ariko atirukanywe mu Giporisi c'Uburundi bwo gusubira mu Giporisi c'Uburundi no gusubizwa amafaranga yose |

atahembwe mu kiringo yariko arakurikiranwa na sentare ;

- L'article 83 interdit à tout Officier révoqué, réformé ou démissionnaire de réintégrer le corps de la Police Nationale du Burundi.

- Ingingo ya 83 ibuza Umuporisi w'Intwazangabo wese yirukanywe, asezerewe mu kazi vyemejwe ko atakigashoboye canke yatanze imihoho gusubira mu Rwego rw'Igiporisi c'Uburundi;

7. **Le chapitre VIII, section1** concernant le régime disciplinaire de l'Officier énonce les fautes et les sanctions disciplinaires (Art 84-103).

La liste des fautes disciplinaires a été inventoriée et catégorisée selon leur gravité (Art 87 et 88). Il en est de même des fautes graves pouvant impliquer la révocation, ce qui n'était pas prévu dans le statut en vigueur.

La sanction de rétrogradation a été introduite dans la liste des sanctions applicables aux Officiers de la Police Nationale du Burundi (Art 90).

**La section 2** détermine la procédure disciplinaire applicable à l'officier en suspension par mesure d'ordre mis en liberté à l'issue d'une détention préventive (art 104 à 112).

**La section 3** prévoit la mise en place d'un Conseil d'Enquête, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline des membres de la Police Nationale du Burundi (art 113 et 114).

La récompense qui est un élément nouveau est constituée des gratifications et des distinctions honorifiques (Section 4, art 115 à 120).

7. **Mu gice ca VIII, agace ka 1** kerekeye amategeko agenga inyifato y'umuporisi w'Intwazangabo mu kazi karadondagura amakosa n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi (ingingo ziva ku ya 84 gushika ku ya 103).

Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi yarashizwe ku rutonde no mu migwi hisunzwe uburemere bwayo (ingingo ya 87 n'iya 88). Ni ko kw'uko nyene, ku vyerekeye amakosa ahambaye ashobora gutuma umuporisi w'Intwazangabo yirukanwa burundu mu Giporisi c'Uburundi, ivyo na vyo bikaba bitari bitegekanijwe mu mategeko ahasanzwe.

Igihano co gukororwa ipete carashizwe ku rutonde rw'ibihano bihabwa abaporisi b'Intwazangabo (ingingo ya 90).

**Agace ka 2** kerekana ibikurikizwa ku muporisi w'Intwazangabo yaronse umwidegemvyo ikiringo c'ugupfungwa ivy'agateganyo kirangiye yari yarahagaritswe mu kazi ubutarariye (Ingingo ya 104 gushika kuya 112).

**Agace ka 3** gategekanya ishirwaho ry'Umugwi ujejwe itohoza, kugira ntihaze hasubire gufatwa ingingo hatisunzwe amategeko kandi abari mu Giporisi c'Uburundi bagize inyifato itabereye bahanwe (ingingo ziva ku ya 113 n'iya 114).

Udushimwe ni ikintu gishasha cashizwemwo tukaba tugizwe n'amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka (Agace ka 4, ingingo ziva ku ya 115 gushika ku ya 120).

8. **Au chapitre IX**, section1 relative à la fin de carrière, l'article 126, al 2 prévoit une prolongation de carrière de deux ans renouvelable accordée sur demande de

8. **Mu gice ca IX**, agace ka 1 kavuga ivyerekeye ukurangiza umwuga mu ngingo ya 126, agahimba ka 2 hategekanijwe ko ikiringo c'akazi gishobora kuja kirongerezwa imyaka ibiribiri bisabwe n'umuporisi

l'Officier.

w'Intwazangabo vyerekeye.

9. **Le chapitre X** prévoit une harmonisation des grades actuels conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 48 de la présente loi (art 132).

9. **Igice ca X** gitegekanya ko amapete ahasanzwe aroranishwa n'ayategekanijwe mu ngingo ya 48 y'iri bwirizwa (ingingo ya 132).

10. Le présent projet de statut comprend également deux annexes à savoir :

   1) Le tableau en rapport avec l'éclairage sur les notions de primes, indemnités et avantages sociaux introduits dans les projets des statuts du personnel de la police nationale du Burundi ;

   2) Le tableau comparatif du statut des Officiers de la PNB en vigueur et du projet de statut des Officiers de la PNB

10. Iyi nteguro y'amategeko agenga intwazangabo irimwo kandi imperekeza zibiri ari zo :

   1) Icubake gitanga umuco ku bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano twategekanijwe mu nteguro y'amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ;

   2) Icubake kigereranya amategeko asanzwe agenga abaporisi b'Intwazangabo n'integuro y'amategeko mashasha azobagenga.

**IV.** Après intégration des recommandations issues du Conseil des Ministres du 11 décembre 2019 et celles de la Présidence de la République de par les lettres n°100/CAB/1029/2019 du 13 mai 2019 et n°100/CAB/1586/2019 du 30 juillet 2019, la nomenclature des articles de l'ancien texte présenté au Conseil des Ministres a changé suite à la suppression de 2 articles du texte (l'article 30 qui parlait de la gratuité des services rendus par la Police et l'article 76 qui prêtait à confusion avec celui 103 sur la disponibilité disciplinaire.

IV. Inyuma yuko hongewemwo ivyasabwe n'inama nshikiranganji yokuwa 11 kigarama 2019 hamwe n'ibiro vy'umukuru w'igihugu hakurikijwe amabaruwa inomero 100/CAB/1029/2019 yokuwa 13 rusama 2019 na 100/CAB/1586/2019 yokuwa 30 mukakaro 2019, urutonde rw'ingingo zari zigize integuro yambere y'iri bwirizwa yizwe munama Nshikiranganji rwarahindutse biturutse kungingo 2 zafuswe (ingingo ya 30 yavuga ibikorerwa mu gipolisi ko bitorihishwa abapolisi, n'iyindi 76 itatomora itandukaniro iri hagati yayo n'iya 103 kuvyerekeye intwazangabo mugipolisi ihagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi.

**V.** Parmi les recommandations issues de la réunion du Conseil des Ministres du 19 juin 2021 figure l'harmonisation des grades du personnel policier avec ceux de la FDNB. Ce qui a été fait surtout à l'article 53 pour le premier grade octroyé après la sortie de l'Institut Supérieur de Police. Pour les autres grades, ceux de la FDNB sont octroyés suivant les fonctions disponibles, tandis que pour la PNB, lagradation tient compte des promotions.

V. Muvyo Inama Nshikiranganji yo kuwa 16 Ruheshi 2021 yasavyeko vyoja muri rino tegeko harimwo kuroranya amagarade y'Igiporisi nay'igisirikare c'Uburundi. Bikaba vyarakozwe cane cane kungingo ya 53 kw'igarade yambere itangwa Umupolisi agisohoka mw'Ishule ry'Intwazangabo mu Giporisi. Ariko kuyandi magarade, ay'Igisirikare atangwa hisunzwe amabanga abahari mur'ico Gisirikare, aho mu Giporisi atangwa hakurikijwe urukurikirane rw'ingene binjiye mu Giporisi.

Concernant la recommandation relative à l'harmonisation des grades de la PNB avec ceux des pays de la Communauté Est Africaine, la manière d'octroyer les grades dans ces pays s'inspire du système anglo-saxon et s'avère plus compliqué que celui de la PNB.

---

Kuvyerekeye ivy'ukunganisha amagarade y'Igiporisi c'Uburundi n'ibindi Biporisi vy'ibihugu vya Afirika yo mu Buseruko, amagarade yabo ashingiye kuy'ibihugu bivuga ururimi rw'icongereza, akaba anasanzwe ahanitse ugereranije nay'Igiporisi c'Uburundi.

---

PROJET DE LOI PORTANT STATUT DES OFFICIERS DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI

INTEGURO Y'IBWIRIZWA RISHINGA AMATEGEKO AGENGA INTWAZANGABO Z'IGIPORISI C'UBURUNDI

## EXPOSE DES MOTIFS

## INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA

### I. CONTEXTE ET JUSTIFICATION

1. Le Burundi, comme les autres Nations souveraines, est responsable de l'ordre et de la sécurité sur son territoire. Cette prérogative est une émanation de la loi fondamentale en vigueur au Burundi en son article 14 énoncé en ces termes :

« Tous les Burundais ont le droit de vivre dans la paix et dans la sécurité. Ils doivent vivre ensemble dans l'harmonie, tout en respectant la dignité humaine et en tolérant leurs différences ».

2. En son article 254, la nouvelle Constitution de la République du Burundi prévoit des lois organiques déterminant les missions, l'organisation, l'instruction, les conditions de service et le fonctionnement de la Force de Défense Nationale et de la Police Nationale.

3. La Police Nationale du Burundi est régie par la loi organique n° 1/03 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi.

4. L'article 313 de cette loi prévoit un certain nombre de textes d'application notamment les Statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi.

### I. IBITUMYE IRI BWIRIZWA RITEGURWA

1. Uburundi, nk'ibindi bihugu vyishira bikizana, ni bwo bubazwa umutekano w'abantu bose bo ku gataka kabwo kwose. Ubwo bubasha butangwa n'Ibwirizwa Shingiro rikurikizwa mu Burundi mu ngingo yaryo ya 14 ivuga iti :

« Abarundi bose barafise uburenganzira bwo kubaho mu mahoro no mu mutekano. Bategerezwa kubana ata nkomanzi, bakubahiriza agateka ka zina muntu bakongera bakihanganirana mu budasa bwabo ».

2. Mu ngingo yaryo ya 254, Ibwirizwa Shingiro rishasha rya Repuburika y'Uburundi riritegekanya amabwirizwa aryunganira atomora imirimo y'Urwego rw'ukwivuna abansi n'iy'Urwego rw'Igiporisi c'Uburundi, ingene izo nzego zitunganijwe, inyigisho zitangwa, ibisabwa mu kuja muri izo nzego n'ingene zikora.

3. Igiporisi c'Uburundi kigengwa n'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'Igiporisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora ;

4. Ingingo ya 313 y'iryo bwirizwa irategekanya amategeko arishira mu ngiro nk'ayagenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi.

5. L'élaboration de la présente loi s'inspire largement de la loi n° 1/18 du 31 décembre 2010 portant Statut des Officiers de la Police Nationale du Burundi en y apportant certaines innovations pouvant permettre à l'Officier de travailler dans un environnement socio-économique, sécuritaire et politique du moment.

5. Iri bwirizwa riteguwe hisunzwe ahanini Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Intwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi hashizwemwo ibintu bishasha bimwebimwe bituma Umuporisi w'Intwazangabo ashobora gukorera mu bijanye n'iki gihe vyerekeye imibano n'ubutunzi, umutekano na poritike.

## II. STRUCTURE DU PROJET DE LOI

## II. INGENE IYI NTEGURO Y'IBWIRIZWA IRINGANIJWE

Le nouveau projet de loi est structuré en chapitres et sections. Il comprend dix chapitres à savoir :

Iyi nteguro y'Ibwirizwa iringanijwe mu bice n'uduce. Igizwe n'ibice 10 ari vyo vy'ibi :

### CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES (ARTICLES 1 à 6)

### IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO (INGINGO ZIVA KU YA 1 GUSHIKA KU YA 6)

Ce chapitre reprend les conditions générales de recrutement, les droits et les devoirs, le régime des incompatibilités, la carrière, le régime des traitements, les primes, les indemnités, les récompenses, les bonifications de stage et de formation ainsi que le régime disciplinaire des Officiers de la Police Nationale du Burundi. Il apporte des innovations pour les récompenses et les bonifications de stage et de formation par rapport au statut en vigueur.

Ico gice kiratomora ibisabwa muri rusangi kugira umuntu yinjizwe mu Ntwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi, ivyo abaporisi b'Intwazangabo bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga bajejwe, ivyerekeye umwuga wabo, imishahara, udushirukabute, uturusho, ubushimwe, uturusho duhabwa uwakarihirijwe ubwenge n'uduhabwa uwaronse inyigisho hamwe n'amategeko ajanye n'inyifato mu kazi. Ico gice kizanye ibishasha mu vyerekeye ubushimwe n'uturusho duhabwa uwakarihirijwe ubwenge n'uduhabwa uwaronse inyigisho ugereranije n'amategeko asanzwe agenga Abaporisi b'Intwazangabo.

Il assure à l'Officier les garanties répondant aux obligations particulières imposées par le métier de Police. Il comprend des compensations aux contraintes et exigences de la vie de l'Officier de la Police Nationale, y compris la limitation de l'exercice de certaines libertés individuelles.

Ico gice giha Abaporisi b'Intwazangabo uturusho tubatera intege mw'irangurwa ry'ivyo bategerejwe bidasanzwe bijanye n'umwuga w'Igiporisi. Kirategekanya uturusho ku ngorane abaporisi b'Intwazangabo mu Giporisi c'Uburundi bagira hamwe n'ivyo ubuzima bwabo busaba, harimwo ibibuza ukwishira n'ukwizana kw'umwumwe wese muri bimwebimwe.

Il fait participer davantage l'Officier de la Police Nationale du Burundi à la lutte contre la criminalité en lui dotant la qualité d'officier de police judiciaire à compétence générale, restreinte ou limitée selon les cas.

Gitegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kugira uruhara rusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha ububasha bw'Inyamiramabi kuri vyose, ku co yarungitswe gukora gusa canke kuri bimwebimwe bivanye n'icaha cakozwe.

## CHAPITRE II : DES CONDITIONS DE RECRUTEMENT ET DU STAGE PROBATOIRE (ARTICLES 7 à 22)

## IGICE CA II : IBISABWA MU KWINJIZWA MU BITEGURIRA KUBA INTWAZANGABO Z'IGIPORISI N'IVYEREKEYE UKWIMENYEREZA AKAZI (INGINGO ZIVA KU YA 7 GUSHIKA KU YA 22)

Ce chapitre énumère les conditions de recrutement des candidats Officiers de la Police Nationale du Burundi, en apportant deux innovations l'une relative au célibat qui s'étend jusqu'à la fin du stage probatoire et l'autre, celle de ne pas avoir une double nationalité.

Ico gice kiradondagura ibisabwa mu kwinjizwa mu bitegurira kuba Intwazangabo z'Igiporisi c'Uburundi, kikongera kikerekana ibishasha bibiri, kimwe cerekeye ko uwitegurira kuba Umuporisi w'Intwazangabo aba atarubaka gushika arangije ikiringo c'ukwimenyereza akazi, ikindi na co ni uko ataba afise ubwenegihugu bubiri.

L'article 9 de ce chapitre donne la prérogative au candidat Officier de suivre une formation académique et professionnelle appropriée aux missions de la Police Nationale du Burundi à l'Institut Supérieur de Police ou dans d'autres institutions universitaires se trouvant au pays ou à l'étranger, reconnues par le Ministère ayant l'enseignement supérieur dans ses attributions.

Ingingo ya 9 y'ico gice irategekanya ko uwitegurira kuba Intwazangabo y'Igiporisi aronswa inyigisho za Kaminuza n'izerekeye umwuga zihuye n'imirimo y'Igiporisi zitangirwa mw'Ishure Kaminuza ry'Intwazangabo z'Igiporisi canke mu yandi mashure ya Kaminuza ari mu gihugu canke mu mahanga yemewe n'Ubushikiranganji bujejwe inyigisho za Kaminuza.

Il met aussi en exergue la typologie de formations reconnues au Ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Irashira kandi ahagaragara ubwoko bw'inyigisho zemewe n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

En cas d'échec de stage probatoire du candidat Officier, l'article 19 donne la possibilité au candidat Officier de reprendre le stage une seule fois.

Mu gihe uwitegurira kuba umuporisi w'Intwazangabo ataronse amanota ashimishije mu nyigisho z'ukwimenyereza akazi, ingingo ya 19 iramuha akaryo ko gusubiramwo izo nyigisho rimwe gusa.

Dans ce même chapitre, les termes du serment sont clairement définis à l'article 22, alors que le statut en vigueur est muet à ce titre.

Muri ico gice nyene, amajambo y'indahiro aratomowe neza mu ngingo ya 22, mu gihe amategeko asanzwe agenga Intwazangabo ata co avuga kuri iyo ndahiro.

## CHAPITRE III : DES DROITS, DES DEVOIRS ET DES INCOMPATIBILITES (ARTICLES 23 à 42)

## IGICE CA III : IVYO UMUPORISI W'INTWAZANGABO AFITIYE UBURENGANZIRA, IVYO ATEGEREJWE N'IVYO ATABANGIKANYA N'AMABANGA AJEJWE (INGINGO ZIVA KU YA 23 GUSHIKA KU YA 42)

Ce chapitre énumère les droits, des devoirs et des incompatibilités du service de l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Iki gice kidondagura ivyo Umuporisi w'Intwazangabo afitiye uburenganzira, ivyo ategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga ajejwe.

Au niveau de ses droits, l'Officier de la Police Nationale du Burundi bénéficie d'un congé annuel de trente jours ouvrables par an et d'un jour supplémentaire par tranche de cinq ans, alors que le statut en vigueur accorde 30 jours (article 24).

Ku vyerekeye ivyo afitiye uburenganzira, umuporisi w'Intwazangabo araronswa akaruhuko ko ku mwaka ku mwaka k'imisi mirongo itatu y'akazi n'umusi umwe uja uriyongerako uko imyaka itanu irangiye, mu gihe amategeko amugenga asanzwe akurikizwa amuha imisi 30 y'akaruhuko (ingingo ya 24).

L'article 29 prévoit que l'Officier de la catégorie des Généraux en activité ou à la retraite et son conjoint bénéficient d'un passeport diplomatique. Lors des missions officielles, l'Officier de cette catégorie en activité ou à la retraite effectue des voyages en première classe.

Ingingo ya 29 itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo wo ku rugero rwa Jenerari akiri mu kazi canke yakukurutse n'uwo bubakanye baronswa igitabu c'inzira c'icubahiro. Mu gihe c'ingendo z'akazi, umuporisi w'Intwazangabo wo kuri urwo rugero akiri mu kazi canke yakukurutse agendera mu kibanza c'icubahiro.

Le chapitre reprend les avantages sociaux de l'Officier en activité ou à la retraite, à ses ayants droits ou assimilés relatifs aux subventions en eau et électricité, aux soins médicaux et produits pharmaceutiques.

Ico gice kirerekana uturusho tujanye n'ivy'imibano duhabwa umuporisi w'Intwazangabo akiri mu kazi canke yakukurutse, abafise uburenganzira ku matungo yiwe canke abafatwa nka bo twerekeye imfashanyo itangwa na Reta y'amazi n'amatara, ukuvuzwa n'uguhabwa imiti.

Les enfants mineurs et assimilés de la veuve ou du veuf qui se remarie gardent les avantages susvisés.

Abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo b'umupfakazi canke umupfakare yubakanye n'uwundi muntu bagumana uturusho twavuzwe.

De plus, l'Officier qui part à la retraite a droit d'importer un seul véhicule à usage d'affaires et promenade exonéré des droits et taxes (Article 35).

Vyongeye, umuporisi w'Intwazangabo akukurutse arafise uburenganzira bwo kwinjiza mu gihugu umuduga umwe gusa w'ugukoresha utuntu twiwe n'ugutemberamwo atarishe amafaranga ya duwane n'amatagisi (ingingo ya 35).

L'article 37 de ce chapitre prévoit une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut qui est accordée mensuellement pendant deux ans à tout Officier de la Police Nationale ayant atteint l'âge limite de la retraite.

Ingingo ya 37 y'ico gice itegekanya amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara umuporisi w'Intwazangabo yakwije imyaka y'ugukukuruka yari agezeko atakirakurwako aja arahabwa ku kwezi ku kwezi mu kiringo c'imyaka ibiri.

L'officier bénéficie aussi des distinctions honorifiques et d'une assistance judiciaire dans l'exercice de ses missions.

Umuporisi w'Intwazangabo araronswa kandi ibidari vy'iteka n'abamufasha muri sentare akiriko ararangura imirimo ashinzwe.

Au niveau des devoirs et incompatibilités, ce chapitre reprend le prescrit du statut en vigueur tout en insistant sur l'interdiction de l'Officier de la Police Nationale du Burundi de s'immiscer dans les affaires politiques.

Ku vyerekeye ivyo umuporisi w'Intwazangabo ategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga ajejwe, ico gice kirimwo ibitegekanijwe mu mategeko asanzwe akurikizwa kikongera kigashimangira ko umuporisi w'Intwazangabo abujijwe kwisuka mu bijanye na poritike.

CHAPITRE IV : DE LA NOTATION (ARTICLE 43 à 47)

IGICE CA IV : IVYEREKEYE UGUHABWA AMANOTA MU KAZI (INGINGO ZIVA KU YA 44 GUSHIKA KU YA 47)

Ce chapitre fixe la période, l'appréciation synthétique du mérite et le recours en cas de contestation de la notation de l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Ico gice kivuga ibiringo amanota yerekana ingene umuporisi w'Intwazangabo yakoze muri rusangi atangirwako, ingene atangwa n'ingene ashobora kwitwara igihe atashimishijwe n'amanota yahawe.

CHAPITRE V : DES GRADES ET DE L'AVANCEMENT (ARTICLE 48 à 60)

IGICE CA V. IVYEREKEYE AMAPETE N'UKUDUZWA AMAPETE (INGINGO ZIVA KU YA 49 GUSHIKA KU YA 60)

L'article 48 parle de la nomenclature des grades des Officiers de la Police Nationale.

Ingingo ya 48 ivuga amapete ahabwa abaporisi b'Intwazangabo ayo ari yo.

L'article 49 du même chapitre énumère par ordre croissant les grades de nomination de l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Ingingo ya 49 y'ico gice nyene idondagura amapete umuporisi w'Intwazangabo aja arahabwa, uhereye kuri ritoyi.

L'article 50 de ce chapitre distingue trois catégories d'Officiers de la Police Nationale du Burundi: Officiers subalternes, Officiers supérieurs et Officiers Généraux.

Ingingo ya 50 y'ico gice yerekana imigwi itatu y'abaporisi b'Intwazangabo: abaporisi b'Intwazangabo basanzwe, abaporisi b'Intwazangabo bakuru n'abaporisi b'Intwazangabo b'Abajenerari.

La section 2 du présent chapitre revient sur la période de nomination, les critères d'avancement et de commissionnement des Officiers de la Police Nationale du Burundi.

Agace ka 2 k'iki gice kagaruka ku vy'ikiringo c'uguhabwa ipete n'ibifatirwako mu kuduza no gusimbisha ipete abaporisi b'Intwazangabo.

L'avancement du grade de Lieutenant de Police au grade de Capitaine de Police est passé de 4 ans à 5 ans, en vue de rester en harmonie avec l'avancement d'autres grades prévus dans le présent statut.

Ukuduza umuporisi w'Intwazangabo kw'ipete rya kapiteni w'Igiporisi avuye kw'ipete rya Riyetena w'Igiporisi bikuwe ku myaka ine bishirwa ku myaka itanu, mu ntumbero yo kuroranisha ico kiringo n'ibindi biringo vy'ukuduzwa ku yandi mapete ategekanijwe n'aya mategeko.

CHAPITRES VI : DU TRAITEMENT, DES PRIMES, DES INDEMNITES ET DES AVANTAGES SOCIAUX (ARTICLE 61 à 69)

IGICE CA VI: IVYEREKEYE UMUSHAHARA, UDUSHIRUKABUTE, UTURUSHO TUJANYE N'IVY'AKAZI N'UTUJANYE N'IVY'IMIBANO (INGINGO ZIVA KU YA 61 GUSHIKA KU YA 69)

Dans ce chapitre, l'article 62 définit les composantes du salaire de l'Officier de la Police Nationale du Burundi comprenant des primes, indemnités et avantages sociaux.

Muri ico gice, ingingo ya 62 itomora ibigize umushahara w'umuporisi w'Intwazangabo harimwo udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano.

Les indemnités sont classées en deux catégories à savoir : les indemnités liées aux risques encourus dans l'exercice de ses missions et celles liées aux contraintes de son métier.

Uturusho tujanye n'ivy'akazi turi mu migwi ibiri ari yo: uturusho tujanye n'impanuka ashobora kugira ariko ararangura imirimo ashinzwe n'utujanye n'ingorane zo mu mwuga wiwe.

Les primes, les indemnités et les avantages sociaux repris dans le statut sont définis dans le tableau en annexe (Annexe I).

Udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano tuvugwa mu mategeko agenga Intwazangabo dutomorwa mu cubake kiri mu mperekeza (imperekeza ya I).

CHAPITRE VII : DE LA CARRIERE (ARTICLES 70 à 83)

IGICE CA VII : IVYEREKEYE UMWUGA W'UMUPORISI W'INTWAZANGABO (INGINGO ZIVA KU YA 70 GUSHIKA KU YA 83)

Ce chapitre précise que la carrière de l'Officier de la Police Nationale du Burundi commence le jour de son recrutement (article 70).

Ico gice gitomora ko umwuga w'umuporisi w'Intwazangabo utangura umusi yinjiriyeko mu kazi (ingingo ya 70).

Le Candidat Officier en stage probatoire reste soumis aux textes réglementaires régissant l'Institut Supérieur de Police.

Uwitegurira kuba Intwazangabo mu Giporisi ariko arimenyereza akazi agengwa n'amategeko agenga ishure kaminuza y'Igiporisi.

Le chapitre spécifie que l'Officier de la Police Nationale du Burundi doit être dans une position soit d'activité, de congé, de détachement ou de non activité de service.

Ico gice kiratomora ko Umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kuba ari hamwe muri aha hakurikira : mu kazi, mu karuhuko, mu yandi mabanga atari ay'Igiporisi canke akaba atakiri mu kazi.

Cette dernière position comprend la suspension par mesure d'ordre, l'absence reconnue irrégulière, la mise en disponibilité disciplinaire, la mise en disponibilité pour convenance personnelle, la démission acceptée et la condamnation à une peine privative de liberté.

Intwazangabo mu Giporisi ifatwa ko itakiri mu kazi iyo yahagaritswe mu kazi ubutarariye, atari ku kazi atabirekuriwe, yahagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi, yahagaritse akazi avyisabiye, atanze imihoho avyemerewe hamwe n'iyo yaciriwe igihano c'ugupfungwa.

CHAPITRE VIII : DU REGIME DISCIPLINAIRE (ARTICLES 84 à 120)

IGICE CA VIII: IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA INYIFATO MU KAZI (INGINGO ZIVA KU YA 85 GUSHIKA KU YA 120)

Dans ce chapitre, la section 1(articles 85 à 104) définit le régime disciplinaire et énumère les fautes ainsi que les sanctions disciplinaires applicables à l'Officier de la Police Nationale du Burundi.

Muri ico gice, agace ka 1 (ingingo ziva ku ya 86 gushika ku ya 104) gatomora amategeko agenga inyifato mu kazi y'abaporisi b'Intwazangabo, kakongera kakadondagura amakosa hamwe n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bahabwa.

La section 2 du même chapitre détermine la procédure suivie dans l'application des sanctions disciplinaires (articles 104 à 111).

Agace ka 2 k'ico gice nyene karatomora ingene ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bitangwa (ingingo ziva ku ya 104 gushika ku ya 111).

Le droit de recours est reconnu à l 'Officier de la Police Nationale du Burundi suivant les modalités décrites aux articles 108 et 109.

Umuporisi w'Intwazangabo arafise uburenganzira bw'ugusaba ko ingingo yafatiwe ihindurwa yisunze ibikurikizwa bivugwa mu ngingo ya 108 n'iya 109.

La même section stipule que les Officiers de la Police Nationale du Burundi en activité ou à la retraite sont justiciables devant les juridictions ordinaires et bénéficient d'un privilège de juridiction selon la catégorie.

Ako gace nyene kavuga ko abaporisi b'Intwazangabo bakiri mu kazi, canke bakukurutse bitwarirwa muri sentare zisanzwe kandi ko, bivanye n'umugwi barimwo, batitwarirwa muri sentare iyo ari yo yose.

La section 3 (articles 113 et 114) institue un Conseil d'Enquête, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline des Officiers de la Police Nationale.

Agace ka 3 (ingingo ziva ku ya 113 n'iya 114) gashiraho Umugwi ujejwe amatohoza, mu ntumbero yo gukinga akarenganyo no kurwanya inyifato mbi mu baporisi b'Intwazangabo.

Dans le même chapitre, la section 4 (articles 115 à 120) définit les récompenses et distingue ses composantes qui sont les gratifications pécuniaires et les distinctions honorifiques.

Muri ico gice nyene, agace ka 4 (ingingo ziva ku ya 115 gushika ku ya 120) gatomora udushishimwe duhabwa abaporisi b'Intwazangabo kakongera kagatomora ibitugize ni ukuvuga amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka.

## CHAPITRE IX : DE LA FIN DE CARRIERE ET DE LA SECURITE SOCIALE (ARTICLES 121 à 131)

## IGICE CA IX : IVYEREKEYE UKURANGIZA AKAZI N'UGUTEGEKANIRIZWA KAZOZA (INGINGO ZIVA KU YA 121 GUSHIKA KU YA 131)

La première section précise les différents cas de cessation de service, y compris la limite d'âge statutaire selon la catégorie de l'Officier de la Police Nationale du Burundi (articles 121 à 127).

Agace ka mbere gatomora uburyo butandukanye bw'uguhagarika akazi, harimwo n'ukugahagarika imyaka y'ugukukuruka itegekanijwe n'amategeko igeze bivanye n'umugwi Umuporisi w'Intwazangabo arimwo (ingingo ziva ku ya 122 gushika ku ya 127).

Dans la deuxième section (articles 128 à 131), on parle de l'affiliation de l'Officier aux institutions de sécurité sociale, notamment l'Institut National de Sécurité Sociale et la Mutuelle de la Fonction Publique. Elle ouvre la possibilité à l'Officier de la Police Nationale du Burundi d'adhérer à d'autres institutions de Sécurité Sociale.

Mu gace ka kabiri (ingingo ziva ku ya 128 gushika ku ya 131), havugwamwo ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza umuporisi w'Intwazangabo mu mashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi, nk'Ishirahamwe rijejwe gutegekaniriza kazoza abakozi (INSS) no mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta. Muri ako gace, harategekanijwe ko umuporisi w'Intwazangabo afise uburenganzira bwo kwinjira mu yandi mashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi.

Elle précise aussi que l'Officier de la Police Nationale du Burundi est classé parmi les assurés travaillant dans des conditions dures

Karatomora kandi ko umuporisi w'Intwazangabo ashirwa mu mugwi w'abanywanyi bakora akazi kagoye kandi gashobora gutera impanuka nyinshi hisunzwe

et pénibles comportant beaucoup de risques, suivant les dispositions du Code de Sécurité Sociale (article 128).

ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi (ingingo ya 128).

## CHAPITRE X : DES DISPOSITIONS FINALES (ARTICLES 132 à 135)

## IGICE CA X : INGINGO ZISOZERA (INGINGO ZIVA KU YA 132 GUSHIKA KU YA 135)

L'article 132 dispose qu'à la promulgation de la présente loi, les grades des Officiers seront harmonisés conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 49.

Ingingo ya 132 itegekanya ko iri bwirizwa rimaze gutangazwa, amapete y'abaporisi b'Intwazangabo azoca aroranishwa hisunzwe uko amapete ategekanijwe mu ngingo ya 49.

L'article 133 parle des Aumôniers, une catégorie particulière de personnel de la Police Nationale qui ne fait pas carrière à la Police nationale et qui est assimilée aux Officiers. Du fait qu'ils portent l'uniforme de la Police nationale, les Aumôniers sont astreints au même régime disciplinaire, aux mêmes devoirs, interdictions et incompatibilités que les Officiers. Ils bénéficient des même droits et avantages sociaux et sont soumis au même régime de notation.

Ingingo ya 133 ivuga ivyerekeye Abibutsamana, na wo ukaba ari umugwi udasanzwe w'abakozi b'Igiporisi c'Uburundi batari mu mwuga w'Igiporisi ariko bafatwa nk'Intwazangabo. Kubera ko Abibutsamana bambara umwambaro w'Igiporisi c'Uburundi, bategerezwa kwubahiriza amategeko agenga inyifato y'abaporisi b'Intwazangabo, ivyo bategerejwe, ivyo babujijwe n'ivyo batabangikanya n'amabanga bashinzwe na vyo bikaba ari bimwe nk'ivyo intwazangabo. Bararonswa n'uburenganzira bumwe hamwe n'uturusho tumwe mu vy'imibano kandi bahabwa amanota y'akazi co kimwe n'Abaporisi b'Intwazangabo.

## III. LES PRINCIPALES INNOVATIONS

1. **Dans son chapitre premier,** le projet de loi fait participer davantage tout officier de la Police Nationale à la lutte contre la criminalité en lui permettant désormais d'agir spontanément devant des situations infractionnelles (art 6) en qualité d'Officier de Police Judiciaire à compétence générale, restreinte ou limitée.

2. **Le chapitre II, section I** relative aux conditions de recrutement explicite la notion de célibat et précise que le candidat Officier doit rester célibataire jusqu'à la fin des trois premières années de carrière (art 7).

   La même section introduit la typologie de formations reconnues à la Police Nationale du Burundi (art 9-14).

## III. IBISHASHA BIKURUBIKURU

1. Mu gice cayo ca mbere, iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kugira uruhara rusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha uburenganzira bw'ukugira ico akoze ubwo nyene ivyaha bigikorwa (ingingo ya 6), akabikora nk'inyamiramabi ifise ububasha muri vyose canke agakora ico yarungitswe gukora gusa canke bimwebimwe bivanye n'icaha cakozwe.

2. **Mu gice ca II, agace ka 1** kerekeye ibisabwa mu kwinjiza mu Giporisi c'Uburundi uwitegurira kuba Intwazangabo kirasigura ibijanye n'ukwubaka kikongera kigatomora ko ategerezwa kuguma atubatse gushika ahejeje imyaka itatu ya mbere y'akazi (ingingo ya 7).

   Ako gace nyene karavuga inyigisho zemewe n'Igiporisi c'Uburundi izo ari zo (ingingo ziva ku ya 9 gushika ku ya 14) ;

Le stage probatoire fait partie intégrante de la durée de la formation (art 18). De plus, les dispositions du même chapitre prévoient une période de douze mois supplémentaire en cas d'échec.

L'article 21 institue la prestation du serment de l'Officier de la Police Nationale devant le Président de la République du Burundi. Les termes du serment libellés en Kirundi sont énoncés à l'article 22.

3. Le **chapitre III, section 1** relative aux droits, introduit les innovations suivantes :

- La durée du congé annuel de repos est passée de 25 jours ouvrables à 30 jours ouvrables, avec un jour supplémentaire de congé par tranche de cinq ans (art 24).

- Le congé d'expertise a également été rehaussé, passant de trois mois à six mois (art 26).

- Droit de l'Officier de la catégorie des Généraux de Police en activité ou à la retraite à un passeport diplomatique ainsi qu'au voyage en première classe lors des missions officielles (Art 29). Son conjoint et ses enfants mineurs bénéficient aussi d'un passeport diplomatique.

- L'obligation de l'Etat à compléter les cotisations à la MFP en faveur des ayants droit pour l'Officier décédé avant 15 ans de service, période requise pour la prise en charge par l'INSS (art 32).

Ikiringo c'ukwimenyereza akazi giharurwa mu kiringo inyigisho zimara (ingingo ya 18). Vyongeye, ingingo ziri muri ico gice nyene zirategekanya ikiringo c'amezi icumi n'abiri yiyongera mu gihe uwitegurira kuba Intwazangabo ataronse amanota ashimishije.

Ingingo ya 21 itegekanya ko umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kurahira imbere y'Umukuru w'Igihugu. Amajambo akoreshwa mu kurahira ari mu kirundi tukayasanga mu ngingo ya 22.

3. **Igice ca III, agace ka 1** kerekeye uburenganzira, kazana ibishasha bikurikira :

- Ikiringo c'akaruhuko ko ku mwaka kivuye ku misi 25 y'akazi kija ku misi mirongo itatu y'akazi, hamwe n'umusi umwe uja uriyongerako uko imyaka itanu irangiye (ingingo ya 24) ;

- Akaruhuko k'ukurangura iyindi mirimo afisemwo ubuhinga na ko nyene karongerejwe, kakuwe ku mezi atatu gashirwa ku mezi atandatu (ingingo ya 26).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo wo ku rugero rwa Jenerari w'Igiporisi akiri mu kazi canke yakukurutse bw'ukuronswa igitabu c'inzira c'icubahiro hamwe n'ukugendera mu bibanza vy'icubahiro agiye mu ngendo z'akazi (ingingo ya 29). Uwo bubakanye n'abana biwe batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko na bo nyene bararonswa igitabu c'inzira c'icubahiro.

- Reta itegerejwe kubandanya itangira amafaranga y'intererano mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta abafise uburenganzira ku matungo y'umuporisi w'Intwazangabo apfuye atarakwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi, ikiringo gitegekanijwe n'amategeko iryo shirahamwe rishobora kubandanya rifasha abasigwa b'umunywanyi (article 32).

- droit aux allocations de décès de 12 mois de salaire brut (Art 33);

- Uburenganzira bw'ukuronswa amafaranga y'impozo ku babuze angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri atakivuyeko (ingingo ya 33).

- droit d'un Officier qui part à la retraite d'importer un véhicule à usage d'affaires et promenade exonéré des droits et taxes (Art 35).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo yakukurutse bwo kwinjiza mu gihugu umuduga umwe w'ugukoresha utuntu twiwe n'ugutemberamwo atarishe amafaranga ya duwane n'amatagisi (ingingo ya 35).

- droit à une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut, accordée mensuellement pendant dix-huit mois à tout Officier de la Police Nationale du Burundi ayant atteint l'âge limite de la retraite (Art 37).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo wese ashikanye imyaka y'ugukukuruka mu kazi bwo kuronswa ku kwezi ku kwezi amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara yari agezeko ata kivuyeko mu kiringo c'amezi icumi n'umunani (ingingo ya 37).

- droit à une assistance judiciaire à l'Officier de la Police Nationale pour faire valoir ses prétentions devant une instance nationale ou internationale (Art 38).

- Uburenganzira bw'umuporisi w'Intwazangabo bw'uguhabwa uwumufasha kuburana ku vyamushikiye ariko ararangura imirimo ashinzwe kugira uburenganzira bwiwe bwubahirizwe imbere ya sentare yo mu gihugu canke mpuzamakungu (ingingo ya 38).

4. **Au Chapitre V des grades et de l'avancement, on note les innovations suivantes :**

4. **Mu gice ca V cerekeye amapete n'ukuduzwa amapete, dusangamwo ibishasha bikurikira :**

➢ L'article 41 reprend les termes de l'article 311 de la loi organique qui interdit formellement tout policier à participer aux activités à caractère politique ou manifester une position partisane dans un parti politique.

➢ Ingingo ya 41 isubiramwo ibivugwa mu ngingo ya 311 y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ribuza umuporisi uwo ari we wese kuja mu bikorwa vya poritike canke kwerekana ko ahengamiye ku mugambwe kanaka.

➢ La nomenclature des grades (Art 48-50) est adaptée pour les motifs suivants :

➢ Urutonde rw'amapete (ingingo ziva ku ya 48-50) rwarahinyanyuwe ku mvo zikurikira :

- faciliter l'identification et la communication par la population, l'administration, les Corps de Défense et de Sécurité ainsi que les élus du peuple dans le cadre de la police de proximité ;

- gutuma abenegihugu, abajejwe intwaro, abo mu nzego z'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano hamwe n'abatowe n'abenegihugu n'ukubatandukanya n'uguhanahana amakuru na bo mu bijanye n'igiporisi cegerejwe abenegihugu ;

- lever la confusion entre le grade et la fonction de commissaire ;

- gutuma ipete n'umurimo w'ubukomiseri bitacitirizwa ;

- porter des grades reconnus dans les missions de maintien de la paix et dans les appels d'offre internationaux.

- kwambara amapete azwi mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro no mu gihe habaye ihiganirwa ry'ubuzi ku rwego mpuzamakungu ;

Il n'y a pas d'impact budgétaire parce que les insignes distinctifs des grades actuels restent inchangés.

- Amafaranga akoreshwa ntazokwiyongera kubera ko ibimenyetso vy'amapete bisanzwe bikoreshwa bitahinduwe.

➢ la période d'avancement de grade de lieutenant de police à capitaine de police passe de 4 à 5ans (Art 53) pour harmoniser la période d'avancement avec les autres grades ;

➢ Ikiringo c'ukuduzwa ipete uva kuri Riyetena mu Giporisi uja kuri Kapiteni mu Giporisi kivuye ku myaka 4 kija ku myaka 5 (ingingo ya 53) kugira kiroranishwe n'ikiringo c'ukuduzwa ku yandi mapete.

5. **Le chapitre VI** apporte en ses articles 61 à 69, des nouveautés relatives aux primes, aux indemnités et aux autres avantages sociaux de l'Officier de Police.

5. **Igice ca VI** kivuga mu ngingo zaco ziva ku ya 61 gushika ku ya 69, ibishasha bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utundi tujanye n'ivy'imibano duhabwa abaporisi b'Intwazangabo.

6. **Le chapitre VII** parle de la Carrière de l'Officier et amène les innovations suivantes :

6. **Igice ca VII** cerekeye umwuga w'umuporisi w'Intwazangabo kikazana ibishasha bikurikira :

➢ L'article 70 apporte 2 innovations libellées comme suit :

➢ Ingingo ya 70 izana ibishasha 2 bikurikira :

- La qualité d'Officier de Police s'acquiert après la prestation de serment devant le Président de la République.

- Umuntu aba Intwazangabo y'igiporisi amaze gushikiriza indahiro imbere y'Umukuru w'Igihugu.

- Le Candidat Officier en stage probatoire reste soumis aux textes réglementaires régissant l'Institut Supérieur de Police.

- Uwitegurira kuba Intwazangabo ariko arimenyereza akazi aguma agengwa n'amategeko agenga Ishure kaminuza ry'Igiporisi ;

➢ La conditionnalité d'au moins 7 ans de service pour obtenir une mise en disponibilité pour convenance personnelle (Art 76) ;

➢ Umuporisi w'Intwazangabo ategerezwa kuba amaze gukora n'imiburiburi imyaka 7 kugira yemererwe kuba arahagaritse akazi avyisabiye (ingingo ya 76) ;

➢ La notion de disparition et de captivité a été introduite (Art 78).

➢ Ibijanye n'ukubura irengero ry'umuporisi w'Intwazangabo n'ibijanye n'ukugirwa imbohe (ingingo ya 78) ;

➢ L'article 82 accorde la possibilité à l'Officier acquitté mais qui n'a pas été révoqué de la Police Nationale de réintégrer la PNB et d'être régularisé.

➢ Ingingo ya 82 iha uburenganzira umuporisi w'Intwazangabo yambitswe izera ariko atirukanywe mu Giporisi c'Uburundi bwo gusubira mu Giporisi c'Uburundi no gusubizwa amafaranga yose

atahembwe mu kiringo yariko arakurikiranwa na sentare ;

➢ L'article 83 interdit à tout Officier révoqué, réformé ou démissionnaire de réintégrer le corps de la Police Nationale du Burundi.

➢ Ingingo ya 83 ibuza Umuporisi w'Intwazangabo wese yirukanywe, asezerewe mu kazi vyemejwe ko atakigashoboye canke yatanze imihoho gusubira mu Rwego rw'Igiporisi c'Uburundi;

7. **Le chapitre VIII, section1** concernant le régime disciplinaire de l'Officier énonce les fautes et les sanctions disciplinaires (Art 84-103).

La liste des fautes disciplinaires a été inventoriée et catégorisée selon leur gravité (Art 87 et 88). Il en est de même des fautes graves pouvant impliquer la révocation, ce qui n'était pas prévu dans le statut en vigueur.

La sanction de rétrogradation a été introduite dans la liste des sanctions applicables aux Officiers de la Police Nationale du Burundi (Art 90).

**La section 2** détermine la procédure disciplinaire applicable à l'officier en suspension par mesure d'ordre mis en liberté à l'issue d'une détention préventive (art 104 à 112).

**La section 3** prévoit la mise en place d'un Conseil d'Enquête, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline des membres de la Police Nationale du Burundi (art 113 et 114).

La récompense qui est un élément nouveau est constituée des gratifications et des distinctions honorifiques (Section 4, art 115 à 120).

7. **Mu gice ca VIII, agace ka 1** kerekeye amategeko agenga inyifato y'umuporisi w'Intwazangabo mu kazi karadondagura amakosa n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi (ingingo ziva ku ya 84 gushika ku ya 103).

Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi yarashizwe ku rutonde no mu migwi hisunzwe uburemere bwayo (ingingo ya 87 n'iya 88). Ni ko kw'uko nyene, ku vyerekeye amakosa ahambaye ashobora gutuma umuporisi w'Intwazangabo yirukanwa burundu mu Giporisi c'Uburundi, ivyo na vyo bikaba bitari bitegekanijwe mu mategeko ahasanzwe.

Igihano co gukororwa ipete carashizwe ku rutonde rw'ibihano bihabwa abaporisi b'Intwazangabo (ingingo ya 90).

**Agace ka 2** kerekana ibikurikizwa ku muporisi w'Intwazangabo yaronse umwidegemvyo ikiringo c'ugupfungwa ivy'agateganyo kirangiye yari yarahagaritswe mu kazi ubutarariye (Ingingo ya 104 gushika kuya 112).

**Agace ka 3** gategekanya ishirwaho ry'Umugwi ujejwe itohoza, kugira ntihaze hasubire gufatwa ingingo hatisunzwe amategeko kandi abari mu Giporisi c'Uburundi bagize inyifato itabereye bahanwe (ingingo ziva ku ya 113 n'iya 114).

Udushimwe ni ikintu gishasha cashizwemwo tukaba tugizwe n'amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka (Agace ka 4, ingingo ziva ku ya 115 gushika ku ya 120).

8. **Au chapitre IX**, section1 relative à la fin de carrière, l'article 126, al 2 prévoit une prolongation de carrière de deux ans renouvelable accordée sur demande de

8. **Mu gice ca IX**, agace ka 1 kavuga ivyerekeye ukurangiza umwuga mu ngingo ya 126, agahimba ka 2 hategekanijwe ko ikiringo c'akazi gishobora kuja kirongerezwa imyaka ibiribiri bisabwe n'umuporisi

l'Officier.

w'Intwazangabo vyerekeye.

9. **Le chapitre X** prévoit une harmonisation des grades actuels conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 48 de la présente loi (art 132).

9. **Igice ca X** gitegekanya ko amapete ahasanzwe aroranishwa n'ayategekanijwe mu ngingo ya 48 y'iri bwirizwa (ingingo ya 132).

10. Le présent projet de statut comprend également deux annexes à savoir :

    1) Le tableau en rapport avec l'éclairage sur les notions de primes, indemnités et avantages sociaux introduits dans les projets des statuts du personnel de la police nationale du Burundi ;

    2) Le tableau comparatif du statut des Officiers de la PNB en vigueur et du projet de statut des Officiers de la PNB

10. Iyi nteguro y'amategeko agenga intwazangabo irimwo kandi imperekeza zibiri ari zo :

    1) Icubake gitanga umuco ku bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano twategekanijwe mu nteguro y'amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ;

    2) Icubake kigereranya amategeko asanzwe agenga abaporisi b'Intwazangabo n'integuro y'amategeko mashasha azobagenga.

**IV.** Après intégration des recommandations issues du Conseil des Ministres du 11 décembre 2019 et celles de la Présidence de la République de par les lettres n°100/CAB/1029/2019 du 13 mai 2019 et n°100/CAB/1586/2019 du 30 juillet 2019, la nomenclature des articles de l'ancien texte présenté au Conseil des Ministres a changé suite à la suppression de 2 articles du texte (l'article 30 qui parlait de la gratuité des services rendus par la Police et l'article 76 qui prêtait à confusion avec celui 103 sur la disponibilité disciplinaire.

IV. Inyuma yuko hongewemwo ivyasabwe n'inama nshikiranganji yokuwa 11 kigarama 2019 hamwe n'ibiro vy'umukuru w'igihugu hakurikijwe amabaruwa inomero 100/CAB/1029/2019 yokuwa 13 rusama 2019 na 100/CAB/1586/2019 yokuwa 30 mukakaro 2019, urutonde rw'ingingo zari zigize integuro yambere y'iri bwirizwa yizwe munama Nshikiranganji rwarahindutse biturutse kungingo 2 zafuswe (ingingo ya 30 yavuga ibikorerwa mu gipolisi ko bitorihishwa abapolisi, n'iyindi 76 itatomora itandukaniro iri hagati yayo n'iya 103 kuvyerekeye intwazangabo mugipolisi ihagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi.

**V.** Parmi les recommandations issues de la réunion du Conseil des Ministres du 19 juin 2021 figure l'harmonisation des grades du personnel policier avec ceux de la FDNB. Ce qui a été fait surtout à l'article 53 pour le premier grade octroyé après la sortie de l'Institut Supérieur de Police. Pour les autres grades, ceux de la FDNB sont octroyés suivant les fonctions disponibles, tandis que pour la PNB, lagradation tient compte des promotions.

V. Muvyo Inama Nshikiranganji yo kuwa 16 Ruheshi 2021 yasavyeko vyoja muri rino tegeko harimwo kuroranya amagarade y'Igiporisi nay'igisirikare c'Uburundi. Bikaba vyarakozwe cane cane kungingo ya 53 kw'igarade yambere itangwa Umupolisi agisohoka mw'Ishule ry'Intwazangabo mu Giporisi. Ariko kuyandi magarade, ay'Igisirikare atangwa hisunzwe amabanga abahari mur'ico Gisirikare, aho mu Giporisi atangwa hakurikijwe urukurikirane rw'ingene binjiye mu Giporisi.

Concernant la recommandation relative à l'harmonisation des grades de la PNB avec ceux des pays de la Communauté Est Africaine, la manière d'octroyer les grades dans ces pays s'inspire du système anglo-saxon et s'avère plus compliqué que celui de la PNB.

---

Kuvyerekeye ivy'ukunganisha amagarade y'Igiporisi c'Uburundi n'ibindi Biporisi vy'ibihugu vya Afirika yo mu Buseruko, amagarade yabo ashingiye kuy'ibihugu bivuga ururimi rw'icongereza, akaba anasanzwe ahanitse ugereranije nay'Igiporisi c'Uburundi.

---